Bible lessons. Lesson 46 LIFE OR DEATH AT MIDNIGHT/ 10TH PLAGUE
**Exodus: 11:1-7**
**Memory verse: "Whatever measure you measure, it will be measured to you, and more will be given to you who hear." Mark 4:24**

**IJORO RY'UBUZIMA CANKE URUPFU/ ICAGO CA CUMI**

ICIRWA CA 69

Ijambo ryo gufata k'umutwe ***: « Ingero mugeramwo ni yo muzogererwamwo, kandi muzorengerezwa. »*** **Mariko.4 :24**

**Kuvayo 11:1-7**

**I. Intangamarara.**

Iki cirwa kiratwereka aho ijora ryabaye iry'ivyago ku Banyagiputa, ariko rikaba iryo gutabarwa kw'abana ba Isirayeli. Icago ca nyuma muri Egiputa.imana z'abanyagiputa zari zitakibasha gukora kuko zananiwe, zirareka Imana Uhoraho arakora. Nazo zirumirwa.

**II. Mose amenyasha icago ca nyuma.**

Imana ibwira Mose ko igiye kurungikira Farawo n'abanyagiputa bose icago kizobababaza. Abana n'ikintu c'impfura cose kizopfa ijoro rimwe. Imana irababwira ko ababwira bagasaba ababanyi babo udusharizo tw'ifeza n'izahabu bakavyitwarira. Ubutunzi bw'umunyavyaha ntaco bumarira Imana. Iyo biba ibikunda vyose vyohawe abagororotsi. Babakoreye imyaka amajana ane na mirongo ine, yari agace k'impembo y'imyaka babakoreye batabashimira, ahubwo babicira abana.

Umurongo wa **3** werekana ingene ico gihe Abanyagiputa bari batanguye kuraba neza Abisirayeli na Mose akubahwa. Mwibuke ko bahora babanka, bakabica nabi, bagashiburira abana bavutse mu ruzi Nile. None Imana irabihinduye. Urashobora kwankwa kubera ibihe bibi urimwo ariko Iyo Imana iguhaye ijambo; bose bacika abakunzi. Ico uvuze kikumvirwa. Usabwa guhagarara mu nzira yo kugororoka muri vyose.

Iki cago carakomako Farawo cane kuko muri Egiputa yafatwa nk'umurinzi w'abantu n'ibintu vyimpfura vyose. Yari imana zuba yitwa Ra. Nkuko impfura ariyo ibonera izuba abandi bana, niko na Farawo yafatwa nk'izuba mpfura y'abanyagiputa bose.

Iki cago co gupfusha impfura caza gikurako Farawo ububasha bamubonamwo bwose.

**III. Uko icago kizomera**

• Bizoba ari mw'ijoro ;
• Bizoba igihugu cose ukuyemwo mu mazu y'Abisirayeri ;
• Hazoba amaborogo menshi mu banyagiputa.
• Nico gihe co guhaguruka kw'Abisirayeri. Farawo azovuga ati : « Genda ni mumvireho »

Iki cari igihe Imana isubirije mu nkoko Abanyagiputa ngo bumve ingene kuvyara nturere bibabaza. Bashibura abana babo mu ruzi bakaribwa n'ingona bitwengera, none nabo bapfishije atawo guhambisha uwundi. Umwe wese yihambira abiwe n'ibitungwa vyiwe.

**IV. Imana ibasigurira Pasika.**

Soma, K**uv 12:1-13** ;

Imana yabanje kubabwira ko uko kwezi kubabera ukwezi gukuru mu buzima bwabo. Ni kubera ari ukwezi ko gutabarirwako bakaba bagizwe igihugu nk'ibindi. Babaga umwagazi w'intama. Uyu ugereranya na Kristo yatabaguriwe k'umusaraba abenshi bagakira.

Basabwe kuzirya zokeje k'umuriro. Umuriro mw'isezerano rya kera ; wasigura ubutungane. Uyu muriro wariko werekana urubanza rutunganye ruciriwe bose. Basiga amaraso yawo kubishimaryango. Umumarayika azorengana amazu yose abonako ayo maraso. Niko n'ubu uwubonekako amaraso ya Kristo ararinzwe. Kandi niyo azokurinda ishavu ry'Imana igihe izoza guhora.

**V. Umusi nyezina wo gupfisha**

Soma : K**uv. 12:29-32**

Urupfu rwabashitseko ; amaborogo arasamirana. Iri joro ryabereyemwo ibihushane mu gihugu ca Egiputa. ku ruhande rw'Abanyagiputa bariko baborogeshwa n'abantu n'ibitungwa biriko birapfa. Kurundi ruhande mu mazu y'Abisirayeri, bariko baririra akaboga basiga amaraso ku bishimaryango ngo buce barabe ivyabaye.Bose ntibaryamye, ariko ntibateramishijwe n'ibisa.

Niko bizomera no k'umusi w'ukuza kwa Yesu. Bose bakoranye, bamwe barira, abandi baririmba. Bizovana n'uruhande wegamiye. Ingero bagereramwo Abisirayeri ; niyo Uhoraho abahaye kunyweramwo. Ihora ihoze.

**VI. Gushira mu ngiro.Ukwizera kw'Abisirayeli.**

Abisirayeli bavuye muri Egiputa bavuye i Kanani ari mirongo irindwi K**uv. 46:27** ; None basubiyeyo ari imiliyoni zierenga zibiri. Ntibiyumviye ivyo bazorira mu nzira canke ivyo bazokwambara. Bizeye Imana ibikoze ko ariyo azobitaho muri vyose. Birasaba ko niba warahagurutse, urekera vyose Kristo.

Bakorewe amabi menshi kuko hatari iwabo. Bari ingenzi. Ntaco bari gukora ubwabo ngo bikize. Ingezi niko ikorerwa, ariko iyo igeze iwabo iranezererwa. Aba bahorewe n'Uhoraho ibibi bakorewe. Haba ijoro ryo kwibukwa n'Imana yabo biciye mu kuvisha amaraso umwagazi w'intama.

Uyu musi ugukira kose kuri muri Yesu Kristo umwagazi w'intama w'Imana. Amaraso yameneye k'umusaraba yogukiza mu rindi joro canke umurango aho Imana izozanana n'ishavu guhora abansi bayo. kuri wewe ni iry'urupfu canke iry'ubuzima ? Niba wumva wokwemera kwoga muri ayo maraso ; wohaguruka ubu nyene ugasenga.